# COMMUNIQUE CONJOINT DES MINISTRES EN CHARGE DE LA SECURITE PUBLIQUE ET DE LA DEFENSE NATIONALE ET DES ANCIENS COMBATTANTS

1. Depuis le Dimanche 26 Avril 2015, sur appel de certains leaders des Partis Politiques de l'Opposition et de la Société Civile, des manifestations sont organisées de jour comme de nuit dans certains quartiers de la Capitale BUJUMBURA. Alors que les organisateurs parlaient au départ de manifestations pacifiques, **il apparaît clairement que des actes de violence sont constamment commis par les manifestants : installations de barricades sur la voie publique, incendies de pneus pour empêcher la circulation des biens et des personnes afin de paralyser la vie dans les quartiers concernés, exécution ou passages à tabac de personnes suspectées de ne pas soutenir le mouvement, jet de pierres sur les policiers, tirs aux armes à feu , lancement des grenades et humiliation des membres de la Police Nationale du BURUNDI**

2. Suite à cette situation, nous déplorons trois pertes en vies humaines et beaucoup de blessés parmi les civils et les policiers. Ces blessés sont présentement hospitalisés pour la plupart à l'Hôpital Militaire de Kamenge. Un certain nombre de manifestants a été appréhendés et nous profitons de cette occasion pour saluer la mesure prise par le parquet général de la République de mettre en place une commission d'enquête judicaire chargé de statuer sur les tenants et les aboutissants de ce soulèvement.

3. Au-delà de ces dégâts matériels et humains, les organisateurs de ces manifestations illégales s'adonnent à une violence verbale sans précédent aux termes de laquelle ils vilipendent les autorités gouvernementales et les responsables des Corps de Défense et de Sécurité, qu'ils ont entrepris de diviser à dessein.

4. De ce faire, nous condamnons énergiquement les rumeurs faisant état de la présence des Interahamwe sur notre sol burundais, démentissons forcément l'assistance et /ou l'enrôlement clandestins de la jeunesse affilié au parti CNDD-FDD dans les rangs de corps de Défense et de Sécurité/

5. Face à cette situation, les Corps de Défense et de Sécurité ne peuvent pas croiser les bras, étant donné que la paix et la sécurité nationale en dépendent. Ainsi, **nous avons ordonné aux membres de la Police Nationale du Burundi (PNB) et à ceux de la Force de Défense Nationale (FDN) de travailler en synergie pour mettre fin à ces mouvements insurrectionnels et rétablir rapidement la sécurité dans les quartiers de la Capitale qui ont affiché ce comportement malveillant.**

6. A l'opinion publique en général et aux insurgés en particulier, nous tenons à indiquer que **les membres de la Police Nationale du Burundi et ceux de la Force de Défense Nationale font tous partie intégrante des Corps de Défense et de Sécurité, tels que définis par l'article 245 de la Constitution de la République du Burundi** et sont interpellés à rétablir l'ordre et la sécurité par tous les moyens mis à leur disposition et cela conformément à la loi.

7. Les unités de la Police Nationale du Burundi et celles de la Force de Défense Nationale, déployées sur terrain, s'engagent à travailler main dans la main pour rétablir la tranquillité et la quiétude parmi la population sur toute l'étendue du territoire de la République et dans les meilleurs délais. Ces opérations doivent être menées avec technicité et professionnalisme.

8. Nous recommandons aux jeunes activistes de ce mouvement de rendre les armes à feu à leur possession faute de quoi un désarmement forcé va être incessamment organisé

9. Nous demandons aux responsables administratifs de collaborer avec les Corps de Défense et de Sécurité pour mener à bien cette noble mission. Nous leur demandons également de continuer à encadrer la population de leurs circonscriptions respectives sans désemparer.

10. Enfin, nous demandons à toute la population de la capitale de vaquer normalement à ses activités quotidiennes et de participer aux travaux de nettoyage surtout dans les quartiers touchés par cette barbarie.

11. Enfin, nous demandons à la population en général et aux parents des jeunes manifestants en particulier, de comprendre que la paix n'a pas de prix et que des conseils doivent être donnés en direction de la jeunesse, afin que cette dernière ne tombe pas dans le piège des politiciens.

**Fait à Bujumbura, le 30 Avril 2015,**

**Le Ministre de la Défense Nationale et des Anciens Combattants,**

**Général Major Pontien GACIYUBWENGE**

**Le Ministre de la Sécurité Publique,**

**Commissaire de Police Principal Gabriel NIZIGAMA**

# ITANGAZO RISHIKIRIJWE N'UMUSHIKIRANGANJI W'UMUTEKANO HAMWE N'UMUSHIKIRANGANJI W'UKWIVUNA ABANSI N'UGUSHIGIKIRA ABAHOZE KU RUGAMBA.

---

1. Kuva ku munsi wa Mungu, igenekerezo rya 26 Ndamukiza 2015, haratunganijwe imyiyerekano mu ma karitiye amwe amwe y'igisagara ca Bujumbura. Iyo myiyerekano yatunganijwe n'abakuru b'imigambwe bamwe bamwe batavuga rumwe na Leta, hamwe n'abakuru b'amashirahamwe amwe amwe avuga ko adaharanira ubutegetsi bw'igihugu. Bari bavuze ngo iyo myiyerekano izoba mu mahoro n'umutekano, ariko **biragaragara ahubwo ko batunganije imigumuko : mugushira ibirundo vy'amabuye mu mabarabara, mu gutera amabuye abapolisi, kurasa no gutera ama grenade tutibagiye ibitutsi ku Bapolisi, guturira ama pneus y'imiduga kugira ubuzima buhagarare mu gisagara, mu gukubita bagasinzikariza ubuzima abo biketse ko badasangiye ivyiyumviro**

2. Bivuye kuri iyo myiyerekano n'imigumuko, hari abantu batatu bitavye Imana, kandi hari n'abandi benshi bakomeretse mu banyagihugu, no mu Bapolisi ? benshi bakaba bariko baravurigwa mu bitaro vy'Igisirikare mu Kamenge. Bamwe mu bagira iyo migumuko barafashwe. Tukaba tuboneyeho n'akaryo ko gushimira abajejwe ubutungane ku kukntu bashizeho umurwi ujejwe gutohoza kuri iyo migumuko.

3. Uretse ivyo bintu vyononekaye n'abantu bapfuye canke bakomeretse, abatunganije iyo myiyerekano barihaye amaradiyo bakoresha imvugo yo gurtyoza abarongoye Leta hamwe n'abarongoye inzego zijejwe umutekano n'ukwivuna abansi, bakongera bakagomba gucanishamwo inzego.

4. Kuri ivyo rero, turiyamirije ibihuha bivuga ko hari Interahamwe ngaha mu Burundi canke ko hari urwaruka rwegamiye umugambwe uri ku

butegetsi CNDD-FDD rwoba ruri mu nzego zijejwe kubungabunga umutekano no kwivuna abansi.

5. Aho ibintu bigeze, inzego zijejwe umutekano n'ukwivuna abansi ntizishobora kurera amaboko, kugira amahoro n'umutekano w'igihugu ntibihungabane. **Nico gituma twategetse abapolisi n'abasoda ko bokora bafatanye munda, basenyera ku mugozi umwe, kugira bahagarike vuba kandi burundu iyo mwiyerekano idakwirikije amategeko be n'imigumuko, bagarukane umutekano muri ayo ma kartiye y'umurwa mukuru w'igihugu cacu aberamwo iyo migumuko.**

6. Tumenyesheje abanyagihugu bose muri rusangi, na cane cane abo bari mu myiyerekano n'imigumuko ko **abapolisi n'abasirikare bagize bose Inzego z'Umutekano n'ukwivuna abansi nkuko ingingo ya 245 y'Ibwirizwa Nshingiro y'Igihugu cacu ibitegekanya. Bategetswe rero kugarukana amahoro n'umutekano bakoresheje uburyo bafise kandi bisunze amategeko.**

7. Abapolisi n'Abasirikare bajejwe igikorwa c'uguhagarika iyo migumuko biyemeje gukora bafatanye munda, basenyera ku mugozi umwe kugira bagarukane amahoro n'umutekano vuba bwango mu mihingo yose y'Igihugu cacu. Bategerezwa kubikorana ubwenge n'ubuhinga bwinshi nk'uko bavyigishijwe.

8. Dusavye dushimitse urwo rwaruka ruriko ruragira imigumuko gusubiza ibigwanisho bafise, atari ukwo naho bakaba bagiye kuvyakwa ku nguvu.

9. Dusavye abajewe intwaro ko bofashanya n'inzego z'umutekano n'ukwivuna abansi muri ico gikorwa c'iteka. Tubasavye kandi kudahengeshanya mu kuba hafi y'abanyagihugu bajejwe na cane cane muri bino bihe bitoroshe.

**10.** Imbere yo kurangiza, dusavye abanyagisagara bose kuja ku mirimo yabo bongere bafashe mu gusukura aho hose mu ma kartiye hononywe n'abo bagumutsi.

**11.** Mu kurangiza, dusavye abanyagihugu bose, na cane cane Abavyeyi b'urwo rwaruka ruri muri iyo migumuko, kumenya ko amahoro atagira igiciro, bahe impanuro abo bana babo, bareke kurwa mu mutego w'abanyepolitique kandi biboneka ko bashobora kuhasiga ubuzima canke bagakurikiranwa n'amategeko mpana vyaha.

**Bigiriwe i Bujumbura, kuwa 30 Ndamukiza 2015,**

**Umushikiranganji w'Ukwivuna Abansi n'Ugushigikira Abahoze Ku Rugamba,**

**Gén. Major Pontien GACIYUBWENGE**

**Umushikiranganji w'Umutekano**

**Commissaire de Police Principal Gabriel NIZIGAMA.-**